# ISHURE
# RYIGISHA
# BIBIRIYA

## ISEZERANO RYA KERA

## IGICE CA II

## BIKWIYE GUSHIGWA HEHE?

**(Gucapura iki gitabo birekuwe ku muntu canke kw'Ishengero bipfuza kugikoresha. Ariko ubundi buryo bwose bwo gusubiramwo iki gitabo, nk kubigwiza ngo gikwiragwizwe mu bantu benshi , kugikoresha mu gutanga amatangazo canke kukigurisha, ntibirekuwe)**

**Ishure ryigisha Bibiriya, Isezerano rya Kera igice ca ll**

Ryateguwe na Rosemary P. Nelson
741 Sunrise Drive, Ripon, Wl 54971
rosemarypricenelsen@gmail.com
Bachelor of Science : Education
University of Wisconsin, Oshkosh, Wl. Spring, 1972
Umwigisha w'amashure atangura, Washburn, Wl, 1972-1977
Yize amashure 14 muri Columbus Graduate School of Bible and Mission,
Columbia, S.C.. Fall , 1977

Umumenyeshamakuru/umurongozi. Oshkosh Northwestern
Berlin and Ripon Bureaus, 1978-1996
Yabaye mu mabanga atandukanye y'ishengero kuva 1972 gushika ubu, harimwo kwigisha inyigisho za Gikristo, igikogwa co kurongora Abagore, Amasengesho, kwigisha Bibiriya no Kwigisha ishure ryo ku w'Imana.

**Casubiwemwo na**

Lois E, Gloyd
421 E. Jackson Street, Ripon, Wl 54971
legloyd@gmail.com
impamyabushobozi y'igice ca mbere ca Kaminuza : compuer technology
1991
Moraine Park Technical college
Fond du lac,Wl
Yaronse akazi muri Lutheran Homes of Oskosh 1991-2015
Yaranditse ibintu bisohoka mu binyamakuru :
Country Magazine
Ruhuhuma/Ndamukiza 1999
GreenPrint Magazine
Mu gihe c'agatasi muri 2005 no mu mpeshi ya 2013
Upper Room Devotional Guide
Nyakanga/Kigarama 2002 no muri Ntwarante/Ndamukiza 2010

Uwafashije mu gutangura **Sweeter than Honey Ministries** mu 2012
Intumbero yacu ni ukwigisha inyigisho zitangura za Bibiriya nk'Ijambo ry'Imana,
Kugira ngo dushobore gukura « tugize imitima misha, kugira tumenye ivyo Imana igomba »
mu buzima bwacu

*«Ewe kuntu amajambo yawe angegera mu magage! Arusha ubuki gusosa mu kanwa kanje»*
*Zaburi 119: 03*

# Isezerano rya Kera Igice ca ll

Intumbero nyamukuru ni ugutahura ko ibitabo 22 bihereza vyongereza ubumenyi bw'amateka yo mu gihe avugwa.

## BIKWIYE GUSHIGWA HEHE?

Ibitabo 22 bihereza vyo mw'Isezerano rya Kera bigabugwa mu bihe umunani vy'amateka?

Ibitabo 5 vy'Amateka
Ibitabo vy'Amateka 12
Ibitabo vy' Ubwene n'Indirimbo 5
Ibitabo vy'Abavugishwa bakuru 5
Ibitabo vy'Abavugishwa batonya 5

## ISUBIGWAMWO RY'IBICE VY'AMATEKA

1. Igihe c'Itanguriro (Itanguriro 1-11)
2. Ibisekuruza (12-50)
3. Isirayeli ihinduka Ihanga (Kuvayo, Gusubira mu Vyagezwe)
4. Guhindura no Kuba mu Gihugu (Yosuwa, Abacamanza, Rusi)
5. Ubwami bw'unze Ubumwe (1 Samweli gushika 2 Abami 11)
6. Ubwami bucikamwo ibice. Harimwo Yuda gusa (2 Abami gushika 2 Ingoma)
7. Igihe c'Ubuja (Yoweli, Obadiya, Ezekiyeli, Daniyeli)
8. Inyuma yIgihe c'Ubuja (Ezira, Nehemiya, Esiteri)

Icitondegwa ku Mwarimu : Iyo ibi bivuzwe n'umwanditsi, abikora mu mvugo yoroshe. Mu gitabo ico ari coc ose, amakuru menshi yerekeye ico gitabo mbere no kugishira mu bice munani vy'Amateka y'Isezerano rya Kera. Atumenyesha ko bishobora kuba vyinshi cane bigatuma icigwa kidatahurika neza kubera insobanuro nyinshi. Vyoba vyiza gutanga incamake inyaruka ishobora gutuma abigishwa bagira amatsiko yo kumenya vyinshi. Hanyuma bonyene gusubiramwo kwiga ivyo ivyo baronse ngaha, canke bakiga ico gitabo ahandi hantu. Mu ntango y'ibitabo bimwe bimwe, umwanditsi yashizemwo bimwe muvyo avuga aiyo ariko arasobanura. Ariko ushobora kubikora uko ushaka, gupfe kuba ari ukuri igitabo kiriko kiravuga. Imana izoguhezegire uriko urigisha iris hure. Birakenewe vy'ukuri, kuko bidufasha kumenya ivyabaye ico gihe c'Amateka y'Isezerano rya Kera.

# IBITABO VY'UBWENGE N'INDIRIMBO

## YOBU (Ibice 24)

**Ijambo ry'akamaro mu ncamake: Imana yemerera Satani kugerageza Yobu abicishije mu kwica abo mu muryango wiwe n'ivyatunze. Yafashwe yongera abwigwa nabi n'abagenzi biwe, bo biyumvira ko yakoze ivyaha. Bihera Yobu anesheje aranashumbushwa ku vyo yabuze vyose. Vyiza wosoma iki gitabo kugira utahure ingne vyagenze.**

Yobu bishoboka ko yabaye mu gihe kimwe na Aburahamu, ariko nka Mose kuko Edomu ari igihugu cabamwo abakomoka kuri Esau. Inyuma yo kugeragezwa kugomeye na Satani Imana ariyo ibirekuye, Yobu yerekanye ubwizigigwa imbere y'Imana. Iki gitabo kirerekana ingene Imana ihemba abayizigiye (Abaheburayo 11:6). Kandi iki gitabo kirerekana ingene Imana iri hejuru ya vyose. Yobu arashumbushwa ivyiwe vyose hanyuma babagenzi biwe bakicwa n'isoni. Koresha ivyo ushaka hepfo.

Yobu ashobora kuba yabayeho hagati y'ikinjana ca 18 n'ica 12 Imbere ya Kristo. Benshi bizera ko yoba yaba muri Edomu. Yobu  cane n'ubutungane bw'Imana. Tubona ivyo atashoboye : hari inkomezi z'impwemu mbi zo mu kirere zitugwanya.

Satani asba Imana kugerageza ivyizigiro vya Yobu yifashijije ivyago (Igice 1-2)

Yobu ntiyaremerewe n'ivyamushikiye gusa, ahunwo n'umuryango n'abagenzi biwe, bamwagiriza ivyaha. (Igice 3-38).

Yobu abajije Imana ibibazo, imyishura n'ibibazo. Yobu ntaroka ico yishura ahubwo aca aca bugufi. ( Igice ca 38-42 : 6 ). Imvo z'Imana muvyo ikora bitandukanye ntizikunze gutahurika ariko umuntu asabwa kwizera .

Umwami ashima Imana, asengera Yobu kandi akanamushumbusha, agategeka abagenzi ba Yobu kwihana icaha cabo. (Igice 42:17)

Ibuka ko ibibazo vya Yobu bitashavuje Imana.

Gikwiye gushigwa hehe?

## Hagati y'igihe c'IBISEKURUZA no GUHINDURA &

## KUBA MU GIHUGU C'ISEZERANO

# ZABURI (Ibice 150)

**Ijambo ry'akamaro mu ncamake:** zaburi nyinshi zanditswe mu gihe  ca Dawidi, naho zaburi zimwe zanditswe na Mose yandikira Abahezezi igihe c'inyuma yo kuva mu buja. Dawidi yanditse Zaburiy 73. Ni igitabo kirimwo gushima no kwizera Imana, ivuga guhimbaza n'ishavu ryinshi, urukundo no kwankwa. Kivuga mu buryo bwagutse amarangamutima y'umuntu kandi cokoreshwa n'umuntu ubwiwe mu guhimbaza Imana. Cakoreshwa kandi mw'ishengero mu guhimbaza nk'umubiri wa Kristo.

Canditswe mu gihe ca Dawidi n'imbere yiwe

Cakoreshejwe mu gihe co guhimbaza muri kahise ka Isirayeli, Yuda n'abayuda.

Birakoreshwa n'aba Kristo mbere n'Abayuda bo mw'iyi minsi iyo bariko barasenga canke bariko bariga.

Umurongo wo hagati muri Bibiriya ni Zaburi 118. Igice kigufi cane muri Bibiriya ni Zaburi 117. Igice kirekire muri Bibiriya ni Zaburi 119.

Zaburi ni co gitabo kirekire kurusha ibindi muri Bibiriya. Kirimwo ubwoko bw'ivyo umuntu ashobora gucamwo n'amarangamurima yiwe. Ntibiraba gusaigihe c'Isezerano rya Kera, ahubwo bigenewe abantu bose mu bihe vyose. Cuzuye ivyigisho ndoramana. Tubonamwo isanganyamatsiko zisubigwamwo mu yindi mirongo ya Bibiriya, nko gukizwa canke gucungugwa muri Zaburi 3:2-7, na 19:14. Izindi ni ukwemera Imana imwe rudende irema, no gukoroka kw'umuntu, gutoranwa, isezerano mbere n'inyigisho zo mu gihe c'iherezo.

Zaburi ni igitabo c'indirimbo, kandi gituma abantu b'Imana bashobora gusenga. Ifata isanganyamatsiko n'ibindi vyiyumviro ikabishira mu ndirimbo, ndetse n'ivyigisho.

Zaburi ni ubuvugishwa. Muri zaburi za Mesiya tubona uko Yesu azovuka, uko azopfa, n'ingeneazokora ibikogwa vy'ibanze imbere yuko apfa. Izi ni Zaburi: 2, 8, 16, 22, 24, na 110

Zabri ni amajambo meza kandi atonze neza. Ubwo buryo butandukanye burakoreshwa. Muri Zaburi 119, igice kirekire muri Bibirya, umurongo wose muri ico gice gitangura n'urudome rumwe ya atufabe y'Igiheburayo. Umirongo hafi njka yose ivuga ijambo risa n'itegeko .

Zaburi zanditswe n'abantu benshi batandukanye mu myaka myinshi itandukanye. Henshi abanditse baravugwa ku kitwe y'igice. Dawidi yanditse 73. Abandi ni abahungu ba Kora (11), Azafu (12), Salomo imwe( bamwe bavugako yanditse zibiri) na Mose (imwe).

Izindi Zaburi ntihazwi abazanditse. Kora na Asafu bivugwa ko bazanditse bamaze kugaruka

Igitabo ca Zaburi kigabanijemwo ibicecanke ibitabo  bitanu. Mu buryo bukurikira:

Igitabo ca 1: Imana iri iruhande yacu (Ibice 1-41)

Igitabo ca 2: Imana igendera imbere yacu (Ibice 42-72)

Igitabo ca 3: Imana iradukikuje impande zose (Igice 73-89)

Igitabo ca 4: Imana iri hejuru yacu (Igice 90-106)

Igitabo ca 5: Imana iri muri twebwe (Ibice 107-150)

Muri izi harimwo Izaburi zo mw'iduga (Ibice 120-134). Abantu baziririmba bariko baja i Yerusalemu mu minsi mikuru ya Pasika n'iyindi.

Ibindi vya nkenegwa umuntu yomenya mu nyandiko z'Igiheburayo ni Parallelism, aho ivyiyumviro bisa canke bisubigwamwo mu buryo bwumvikana. Guhuza amajambo n'imirongo kugumaho iyo bihinduwe mu zindi ndimi. Hari ubwoko butatu bwa Parallelism : ubusubiramwo insiguro co kimwe (synonymous), ubusobanura ibintu binyuranye ( antithetical), ubwanyuma bwongeramwo iciyumviro gishasha (synthetic).

Soma Zaburi y'103. Uyisomye, uhasanga ubwo bwoko bwose bwa Parallelism. Synthetic uca uyisanga mu mirongo y' 7 na 8, antithetical mu murongo wa 6, na synonymous mu mirongo ya 11 na 12

Synonymous Paralelism bisigura gusubiramwo iciyumviro cagaragaye mu gice ca kabiri nk'uko cari cavuzwe mu gice ca mbere. Antithetic Parallelism: yerekana itandukaniro ry'iciyumviro. Synthetic Parallelism bisigura gusubira gusigura neza iciyumviro ca mbere mu gice ca kabiri.

Gikwiye gushigwa hehe?

## UBWAMI BWUNZE UBUMWE ibindi mu gihe c'INYUMA YO GUTAHA

*Ku bavugabutuma b'Abayuda, Imana yiyerekana nk'ukuri gusumba amarangamutima yabo canke amateka y'abantu yari yuzuyemwo ivyago n'umunezero vyabashikiye mu bice bitandukanye mu buzima bwabo, ariko vyarakomeje ukwizera kwabo. Uburyo bumwe bwo gusoma igitabo ca Zaburi ni ukuciyumvirako nk'urukurikirane gw'ivyete vyandikiwe umuntu ku giti ciwe, iyo bishizwe hamwe, iyo uzishize hamwe bigaragaza ifoto y'abantu bagwanye n'Imana.*

Imana irashaka ko tugaragaza amarangamutima yacu y'ukuri kuri Yo, aho kwifata uko tutari tugeze imbere yayo. Gukekeranya, canke ubwoba , kunezegwa, ubwansi, umunezero, ugwanko, gushima, guhora, gukora ibibi, ubwansi, ibi vyose ubisanga mu gitabo ca Zaburi. Kugira amarangamutima menshi, nahora niyumvirako ko ari ubujuju, ariko ubu ndabibona nk'ikimenyetso c'umuntu akomeye neza. Icigwa nize nkuye muri Zaburi, n'uko mfise uruhusha gwo kubwira Imana ivyo niyumvira. Nta kuyihisha amakosa yanje, sinoyinyegeza kunanigwa kwanje kuko niyo yonyene ishoboye kunkiza.

Vyakuwe mu gitabo *«The Bible Jesua read»* canditswe na Philip Yancy, copyright 2002

# IMIGANI (Ibice 31)

Ijambo ry'akamaro muri make : Igitabo c'Imigani cigisha gutinya Imana kandi kigahanura kubaho ubuzima bwo kwubaha Imana. Nka cose canditswe na Salomo. Imigani imw'imwe yerekana ibintu bitandukanye, iyindi yerekana ivyiyumviro bisa.

Canditswe na Salomo hamwe n'abandi mu kinjana ca 10. Ubwenge bufatiye ku kwubaha Uhoraho niyo nsanganyamatsiko: soma 1:7; 9:10

Hongewemwo iyindi migani mu gihe ca Hezekiya (Aguri na Lamuweli) mu kinjana ca 7

imbere ya Kristo. Ubwenge bwa kivyeyi bwa Salomo buri mi bice vya 1-9 (Ibice 1:8; 5:1). Wobisoma mu yindi mirongo.

Imigani yo muri rusangi ya Salomo dusanga mu bice 10-22 (mu buryo bufadika, mu yandi majambo (11:17; 12:1)

Amajambo ya Bwenge mu bice vya 22-34. Ihuriro ry'Imigani ya Salomo ryashizwe hamwe na Hezekiya. Ibice vya 25-29.

Amajambo y'umwami Aguri mu gice ca 30. Amajambo y'umwami Lamuweli mu gice ca 31:1-9. Ubwiza bw'umugore aroranye mu gice ca 31:10-31.

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BWUNZE UBUMWE

# UMUSIGUZI n'INDIRIMBO YA SALOMO

Vyose vyanditswe na Salomo

## UMUSIGUZI (Ibice 12)

Incamake: Igitabo c'Umusiguzi kigaragaza uko umuntu abona ubuzima kandi kikerekana ko umuntu ata vyizigiro vya kazoza bishoboka Imana itarimwo. Salomo atanga uburorero bwinshi kuri ibi, muri make avuga ati : « ubusa ni ubusa » canke ntaco bimaze. Umwaditsi rimwe na rimwe aravugamwo Imana n'ingene ikora ibintu. Ibib ntibitanga ivyizigiro gusa, ahubwo n'ingene umuntu yiyumvira ubuzima neza bifatiye ku Mana. Aheza yerekana «kwubaha Imana no kwitondera ivyagezwe vyayo» (12:13). Ibi biratanga ivyizigiro abantu bose bakeneye.

Umusiguzi arerekana ko ivyo umuntu akora vyose aha kw'isi ari ivy'ubusa, kandi ko kwegeranya ibintu vy'isi birangira biteye agahinda kenshi. Ijambo « ubusa »( nta kamaro) rirakoreshwa cane mu kwerekana ko ibintu vyo kwisi : ibinezereza, ivyo umuntu akora,akazi mbere n'ubwenge.

Igice ca 3 kirazwi cane kubera «ikintu cose cagenewe igihe caco»

Ubuzima bwo munsi y'izuba n'ubusa kubera akarenganyo, ubukunzi bw'inda, ubwenge bwo kw'isi (5:8, 7:24). Ikibazo gikomeye n'icaha (7:25-29).

Ubuzima bwo kw'isi bukomeza kugaragazwa mu gice ca 8:1; 12:7. Ukuntu ata gaciro bufise mu bindi bice.

Rondera ahantu Imana ivugwa. Uzotahura ko umwigisha avuga ibintu vyumvikana. Tumbera ku Mana kugira iguhe ubwenge, ntiwishimikize ibintu vyawe.

Guheza : mu gice ca 12:3-14: «Wubahe Imana, witondere ivyagezwe na yo; kukw'ivyo ari vyo bibereye gwose umuntu wese. Kukw'Imana izoshira igikogwa cose mu rubanza, bo n'ikintu cose gihishijwe, ari kibi ari ciza.»

## INDIRIMBO YA SALOMO (Ibice 8)

**Incamake :** Benshi bemeranya ko y'amarangamutima y'umwungere n'umwungerekazi. Abanyabwenge bamwe mu vyanditswe ba vuba, bavuga ko intumbero y'iki gitabo ari ukwerekana ko abantu b'Imana bashobora kwubaha Imana mu mibonano mpuzabitsina hagati y'abubakanye. Ukwubaka ni ingabirano y'Imana kandi gutegerezwa kuba kwubakiye ku kwizerana no kwiyemeza. Ibi bitanga umwidegemvyo wo kunezereregwa muri iryo sezerano.

Abakundana baranezeranwa ( Igice ca 1 : 2 ; 2 : 17 )
Indoto z'umwungerekazi ( Igice ca 3 : 1 ; 6 : 3 )
Kwipfuzanya hagati y'abakundana ( Igice ca 6 : 4 ; 8 : 4 )
Abakundanye bahuzwa no kwubakana ( 8 : 5-14 )

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BWUNZE UBUMWE

# IMBERE Y'ABAVUGISHWA

Kubera iki dusoma ibitabo vy'Abavugishwa bose uko ari 17 ? Igituma ni kimwe gikomeye n'iki « **kumenya Imana** ». abavugishwa ni ryo hishurigwa rikomeye mur Bibiriya ryerekana uko Imana imeze… Usomye ibi bitabo vy'Abavugishwa, ntiwumva ko Imana ari ikigigwamana iri kure ariko wumva Imana iriho, yuzuye urukundo gwinshi. Ni imana iryohegwa, irababara kandi iranapfuha. Irarira mbere ikanagira agahinda. Abavugishwa bavuga n'ijwi rirenga ata makenga uko Imana imeze bati : «Iradukunda»

Vyakuwe mu gitabo citwa: *«The Bible Jesus Read»* canditswe na Philip Yancy

**Mu rutonde gwa Bibiriya harimwo:**

**ABAVUGISHWA BAKURU 5:** Yesaya, Yeremiya, Gucur'intimba kea Yeremiya,

Ezekiyeli na Daniyeli

**ABAVUGISHWA BATOYA 1 :** Hoseya, Yoweli, Amosi, Obadiya, Yona**,** Mika, Nahumu, Habakuki, Zefaniya, Hagayi, Zakariya, Malaki.

(Fata ku mutwe ibi bitabo uko bikurkirana kugira umenya aho biherereye muri bibiriya, worohegwe hageze kubirondera.)

**TUGIRE TUVYIGE TUNAVYEREKANE UKO BIKURIKIRANA KU RUTONDE.**

(Ibi bisigura urutonde uko vyanditswe n'ivyabaye, kutyo uce ubitahura mu buryo bwumvikana gusumba.)

## YOWELI (Ibice 3)

Canditsweh agati 835 na 800 Imbere ya Kristo
Canke muri 430 Imbere ya Kristo

**Incamake:** Yoweli aburira abantu ivy'urubanza ruzoza. Abwira abantu kwihana no guhindukirira Imana.

Ubutumwa bwa Yoweli bwari bugenewe Abisirayeli/Ubwami bwo mu Bumanuko, canke birashoboka ko hari mu ntango yo kujanwa nk'inyagano.

Yoweli yeretswe uguhona kuzohaba. Avuga k' « umunsi uhamabaye w'Uhoraho », ariko aranavuga ko hari ivyizigiro vyo gusanura (2:12-14). Akorsha akarorero k'inzige zizotera zigahonya mu gihugu nk'ikimenyetso c'ingabo zizoza zihahonya ikintu cose.

Izindi sanganyamatsiko avuga ni ukwihana kuko Imana iri kumwe na bo, kandi ko bose bategerezwa kuba biteguye kubwa Mpwemu Yera azobasukwako. (ivgice ca 2:28-29)

Gikwiye gushigwa hehe?

Hoba ari ku gihe c'ubwami bwa Dawidi/canke mu gihe ca nyuma co kujanwa mu kinyago

(Abanditsi bavuga ugutandukanye ku bijanye n'igihe candikiwe)

# YONA (Ibice 4)

**Incamake**: Iki gitabo kivuga inkuru ya Yona n'ingene yahunze Imana. Yahawe amahigwe ya kabiri atumwa i Ninewe aho yaburiye abantu urubanza gwabwo. Barihana, bahindukirira Imana naho bitaryoheye Yona. Ukuri n'uko atawuzi igihe iki gitabo candkikiwe, ariko bishoboka ko ari hagati y'imyaka ya 782 na 753 Imbere ya Kristo.

Yona yari umuvugishwa muri Isirayeli( Ubwami bwo mu Buraruko). Yahawe ubutumwa bwo kujana i Ninewe kubw'ishavu ry'Imana rizitera. Yaciye ahungira i Tarushishi yifashijije ubwato, amigwa n'urufi runini, ariko ntiyarupfiriyemwo yararokotse. Arasubira ahabwa amahigwe ya kabiri yo kuja i Ninewe. Yaragiye arababwira, barihana naho atabiryoherewe. Ibi vyerekana ko agakiza ar'aka bose nikanerekana ubuntu bw'Imana. ( Yona 3 : 4 )

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BWACITSEMWO IBICE/ISIRAYELI

# AMOSI (Ibice 9)

**Incamake:** Amosi aburira Abisirayeli ku vyago bizobazako kubera gusenga ibigigwamana kwabo, kugarariza kwabo no gukandamiza abakene. Yavugishijwe kuva muri 792 gushika muri 740 Imbere ya Kristo. Yavugishijwe kuri Isirayeli/Ubwami bwo mu Buraruko

Iki gihe, Isirayeli yari itunze cane, kandi yiyumvira ko igiye kuja mu kindi gihe ciza cane ku ngoma ya Yerobowamu w all. Ariko ntivyoroheye abakene (Igice ca 4). Amosi yababwiye ko urubanza gw'Imana rubarindiriye (Vyabaye muri 722 Imbere ya Kristo). Imana yari igiye gucira urubanza Isirayeli ku bwo kugarariza kwabo, gusenga ibigigwamana no kurenganya abakene. «Itegure guhwana n'Imana yawe Isirayeli we» (4:12)

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BWACITSEMWO IBICE/ISIRAYELI

Nasanze abavugishwa bandika nk'abari muri iki gihe. Igihe kindi, bavuga kw'isanganyamatsiko zimeze nk'ibicu bipfutse iki ninyenjana cacu : guhora kw'Imana, ubusumbasumbane mu butunzi, akarenganyo, intambara, kugwira kw'ikibi, imibabaro idahera yuzuye mw'isi. Ibi vyabaye kuri Yobu, Zaburi, Umusiguzi, mbere no mu Gusubira mu vyagezwe, abavugishwa barabivugako nk'ababibona muri microscope.

Vyavuye mu gitabo citwa *«The Bible Jesus Read»* ca Philip Yancy

# HOSEYA (Ibice 14)

**Incamake:** Hoseya yerekanye urukundo gw’Imana n’imbabazi zayo igirira abantu bacumuye mu buryo butandukanye, mbere n’imigenderanire hagati y’umugabo n’umugore.

Iki gitabo candikiwe ab’Isirayeli  hagati y’imyaka ya 755 na 725 Imbere ya Kristo. Ni ishusho y’urugo gwasambutse, maze ruracungugwa rugirigwa imbabazi. Binabugwa kenshi mbere k’'ari ubugeni bw’Imana n’umugeni wayo Isirayeli. (1:3-5)

Imana yagiriza Isirayeli uburyarya, ibimenyesha ubwoko bwayo ikoresheje inzego z’uko Isirayeli Imeze…. Igice ca 7…iziko, umutsima, inuma. Aho mbere basenga imana zakozwe n’amaboko y’abantu. Hoseya ababwirako banse ivyizigiro bimwe gusa bafise. (4:14)

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BWIGABUYEMWO KUBIRI

# MIKA (Ibice 7)

**Incamake**: kuburira abantu ivy’urubanza gw’Imana no kubwira abantu ivy’imabazi ku bihanye ivyaha.

Canditswe muri 750 gushika muri 687 Imbere ya Kristo. Vyabwiwe cane cane umwami wo mu Bumanuko.

Yaravuze ukugwa kwa Samariya ariwo mugwa mukuru wa Isirayeli, no gusenyuka gukomeye kwa Isirayeli. Yaranavugishijwe kandi ingene hari igihe Yerusalemu izorongogwa n’Imana hanyuma abantu bagasubira bakayibamwo.

Imirongo izwi ni Mika 5:2; 6:8

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BWIGABUYEMWO KUBIRI

## INTANGO Y'ABAVUGISHWA BAVUGISHIJWE KURI YUDA

## YESAYA (Ibice 66)

**Incamake:** Yesaya ahamagarira Yuda kugaruka ku Mana kandi ababwira ivy'agakiza k'Imana biciye muri Mesiya (740 gushika 681 Imbere ya Kristo). Yesaya ifatwa nka Bibiriya ntonya. Iki gitabo gifise ibitabo 66, na Bibiriya nayo ikagira ibitabo 66. Bamwe bavugako bishoboka ko hari isano riri jhatagati y'igitabo ca Yesaya n'Isezerano Rishasha

Ibice 39 vyo muri Yesaya (Isezerano rya Kera) bivga ku rubanza (naho bimwe bivuga ubuntu). Bisa n'ibishimikira cane kw'Isezerano rya Kera kandi bitanga ivyizigiro bikenya (Nk'uko bimeze mw'Isezerano rya Kera). Ibice 27 bisigaye (44-66), bivuga ku mahoro n'ivyizigiro kuko biri mw'Isezerano Rishasha, icubahiro c'Imana n'imirongo irimwo ubuvugishwa kuri Mesiya, ivyo vyose biboneka muri iki gice. Yesaya yabaye umuvugidhwa ku bami batanu mu kiringo c'imyaka 60. Ibi bintu bikurikira vyogufasha gutahura :

- Yabaye umuvugishwa kuva mu mwaka wa 740 IMbere ya Kristo gushika muri 681 Imbere ya Kristo. Yavugishijwe ku bami batanu, kuva kuri Uzita gushika kuri Manase
- Ubuhanuzi bumwe bwari uburaba Isirayeli, ariko cane cane igihugu ca Yuda. Yaranavugishijwe ku buhugu bukikije Isirayeli
- Ubuvugishwa kuri Mesiya (igice ca 53). Ubuvugishwa bumwe buracaba (60-66)
- Yaraburiye Yuda ivy'urubanza kubera ivyaha vyabo (Igice 1-5)
- Imana iratanga icizere ca kazoza kuri Yuda na Isirayeli biciye mu buntu n'urubanza (6-12)
- Imana irazama urubanza n'ubuntu mw'isi (13-27)
- Imana irungika ijambo ryayo mw'isi (28-35)
- Inzira… ni nde yokwizera (36-39)
- Imana iratanga ihumure kubajanwe nk'inyagano (40-55)
- Hazobaho ubwiza (56-66)

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BACITSEMWO IBICE cane cane YUDA GUSA

# YEREMIYA NO GUCUR'INTIMBA

**Incamake y'ibitabo vyose:** Vyabaye hagari y'imyaka ya 626 gushika 586 Imbere ya Kristo**.** Yeremiya yavugishijwe kuri Yuda ku ngoma y'abami batanu, kuva kuri Yosiya gushika kuri Sedekiya. Azwi ko yari umuvugishwa w'amarira, ariko yaragumigwa, yarihangana, akanakunda gukoresha ibimenyetso. Yarabuye ivyo gutegwa kw'i Baburoni, kandi yashaka ko abantu baba mubu Yuda bahindukirira Imana. Kwiganyira bituma imivuma yo mu giatabo co Gusubira mu vyagezwe 28 ashika ku bantu.

## YEREMIYA (Ibice 52)

Ahanini, iki gitabo kivuga ivy'urubanza gw'Imana kubera ivyaha vya Yuda n'ingene ubwoko bw'isezerano bwategerezwa kuba bumeze. Imana yipfuzako aba bantu umunsi umwe bazomenya isezerano rishasha. Bamwe bamwita umuvugishwa w'amarira ariko yerekana kwakomeye nk'icuma. Uyu mugabo, naho yaciye mu mibabaro idasanzwe, yabandanije kuvuga Ijambo ry'Imana, adatewe ubwoba n'ivyashobora kumushikira bitari vyoroshe.

Yeremiya yatoranijwe akiri mu nda. Yategerezwa kubabazwa kubera Ijambo ry'Imana, ariko Imana yari yaramusezeraniye ko izomuzigama. (Igice 1)

Yagiriza Yuda gusenga ibigigwamana n'idini ry'ikinyoma (Ibice 2-10)

Yagiranye ingorane n'Imana n'igihugu ca Yuda (Ibice 11-20)

Yahanganye n'abami, abandi bavugishwa, abandi bantu kubera ivyo bizera vy'ibinyoma ( Ibice vya 21-29 )

Yaravugishijwe ivyo gusanura igihugu, igihugu casezeranywe, isezerano rishasha no kwumvira isezerano rya Dawidi (Ibice 30-33)

Yagiriza Yuda kwihomeka kuri Baburoni n'imana zaho (Ibice 34-45)

Imana ivugira muri Yeremiya ku bijanye n'urubanza ku bindi bihugu (Ibice 46-51)

Hanyuma avuga ku kugwa kwa Yerusalemu, gusambuka kw'urushengero, guhunga kw'ubwoko bwiwe n'isezerano rya Dawidi rizobandanya (Igice 52)

## GUCURA INTIMBA (Ibice 5)

Namba Yeremiya ariwe mwanditsi ( ni vyo), iki gitabo canditswe kuva muri 587 gushika 580 Imbere ya Kristo. Cerekana gusenyuka kw'i Yerusalemu itewe na Babuloni mu kiringo c'imyaka ibiri. Imibabaro myinshi ivugwa mu Gusubira mu vyagezwe 28 ahaboneka imivumo iva ku kutumvira. Yamara muri iyo mibabaro, ineza y'Imana iraboneka n'umugisha navyo birashoboka.

Gikwiye gushigwa hehe?

UBWAMI BWACITSEMWO IBICE/YUDA GUSA

# NAHUMU (Ibice 3)

**Incamake:** Yavugishijwe ku gusambuka kwa Ninewe. Mu bice bitatu vyose avuga igituma hazokomvomvoka n'ingene bizogenda akantu kamwe ku kandi. Canditswe imyaka 100 inyuma ya Yona.

Candikiwe Yuda na Ninewe. Hasambutse mu 612 Imbere ya Kristo. Canditswe muri 660 Imbere ya Kristo na 630 imbere ya Kristo.

Gikwiye gushigwa hehe?

YUDA YONYENE

# HABAKUKI (Ibice 3)

Canditswe agati ya 640 na 609 Imbere ya Kristo

**Incamake:** canditswe mu kwerekana ko Imana ari yo ifise ubushobozi bwo kurongora isi naho umwansi aza arakora vyinshi bibi.

Habakuki yabajije Imana igituma ataco ikora ku vyariko biraba kuri Yuda, maze Imana imwishura ko igiye kurungika Babuloni. Habakuki yategerezwa kwizera Imana naho yakoresheje Babuloni mbi no kuba mu gihe atabonye gusanugwa kw'igihugu ciwe. Ibi bigaragaza ko Imana ariyo iganje isi naho yuzuye ibibi.

« Umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera. » niko bivugwa muri Habakuki 2:4 ; 3:17-18

Gikwiye gushigwa hehe?

YUDA YONYENE

# ZEFANIYA (Ibice 3)

**Incamake:** candikwa abwira Yuda kugaruka ku Mana ariko no kureka kugamika izosi kuri mu mitima yabo.

Iki gitabo kivuga ubuvugishwa bumwe mu bwo yavuze ku mwami Yosiya ( 640-609 ) Imbere ya Kristo kandi canditswe muri iki gihe nyene.

Ishavu ry'Imana riri ku banyavyaha, ariko imigisha iri ku bayubaha. Imana nta buzukuru ifise, umuntu wese niwe yihitiramwo ico aba muri ico Imana iba mu buzima bwiwe.

Ubuvugishwa bw'Imana buvuga ivyaha vya Yuda n'urubanza rurindiriye amahanga abakikuje , navyo biri muri iki gitabo.

Mu gice ca nyuma ca Zefaniya buvuga ku bwiza bwa Isirayeli/Yuda muri kazoza.

Gikwiye gushigwa hehe?

YUDA YONYENE

## IGIHE BARI MU KINYAGO

# EZEKIYELI (Ibice 48)

**Incamake:** Yavugishijwe ku Bayuda bakiri mu kinyago i Babuloni. Yavuga ibijanye no kwihana kugira ngo bashobore kugira ivyizigiro vya kazoza.

Canditswe hagati ya 593 gushika 573 Imbere ya Kristo.

Yatwawe nk'inyagano muri 597 Imbere ya Krissto. Aho yari i Baburoni yaravugishijwe kuri Yuda n'ayandi mahanga yari abakikuje ababwira ivy'urubanza gw'Imana rubarindiriye. Ariko ntiyagarukirije aho, yarababwiye n'ivy'agakiza izoha ihanga ryayo. Yabonye intebe y'Umwami aronka n'iyerekwa. Ibi bintu vyo hepfo vyogufasha gutahura :

Guhamagagwa kuba umunyezamu (Ibice 1-3)

Yerusalemu na Yuda bicigwa urubanza (Ibice 4-24)

Aravugishwa ibintu atari vyiza ku yandi mahanga (Ibice 25-32)

Aravuga ivyabaye inyuma y'ugusambuka kw'i Yerusalemu. Aratanga insobanuro butomoye kuri kazoza ka Isirayeli (Ibice 33-39)

Yareretswe Yerusalemu hasanugwa, cane cane urushengero (Ibice 40-48)

Gikwiye gushigwa hehe?

IGIHE BARI KU KINYAGO

# DANIYELI (Ibice 12)

**Incamake :** Abo yabwira ni benewabo bajanywe ari inyagano i Babuloni. Aravuga ivyabaye ku Bayuda b'ukuri. Arerekana uburyo Imana ari yo igaba isi n'ijuru, n'iyo isi iriko iraja, inkomezi z'ibidukikije n'uburyo ibabaye ihanga ryayo.

Canditswe hagati y'imyaka ya 605 na 536 Imbere ya Kristo.

Yavuye muri Isirayeli akiri muto cane muri 605 Imbere ya Kristo, aca aba imyaka y'ubuzima bwiwe bwose i Babuloni, kuva mu mwaka wa 605 gushika mu mwaka wa 536 Imbere ya Kristo.

Akwije imyaka 85, niho yasoma igitabo ca Yeremiya, aca amenya ko igihe co gutaha mu gihugu c'isezerano ku bajanwe nk'inyagano gishitse. ( Yeremiya ibice 25, 29, na Daniyeli 9:1-2)

Ibice 6 bitangura vya Daniyeli birimwo inkuru zizwi cane:

Ugwaruka gwanka kwiyanduza kubera Imana (Igice 1)

Indoto za Nebukadineza n'ingene zisobanugwa (Igice 2)
Igishushanyo c'inzahabu n'itanure ryaka umuriro (Igice 3)
Nebukadineza aja kurisha mw'ishamba (Igice 4)
Ikiganza c'andika ku kibambazi (Igice 5)
Daniyeli mu gwobo gw'Intambwe (Igice 6)

Namba ushaka kwogerako ibi vyo hepfo ntakibazo wobigira, canke wovuga ko ibice bindi 6 biheza bikavuga ivyabaye inyuma bijanye n'ubwami bw'Imana (Igice 7), n'abami bo mw'isi …

Abamedi/Abaperesi, Abagiriki, n'Abaroma. Birabe aha hepfo:

Ibice 6 bihereza , vyuzuyemwo iyerekwa rya Daniyeli:
Ibikoko 4 n'urubanza gwo mw'ijuru (Igice 7)
Iyerekwa ry'isuguru y'intama, impene, n'ihembe (Igice 8)
Isengesho rya Daniyeli no kwishugwa kwiwe (Igice 9)
Iyerekwa ry'intamara ya nyuma (Ibice 10-12)

Gikwiye gushigwa hehe?

IGIHE CO KUBA MU KINYAGO

# OBADIYA (Igice 1)

**Incamake:** Bikekwa ko canditswe hagati y'imyaka ya 586 na 553 Imbere ya Kristo. Kumbure ni 585 Imbere ya Kristo. Yavugishijwe ku guhona kwa Edomu yari iherereye mu Burengero hahera mu Burarukobwa Isirayeli/ Yuda, kandi bari abansi ba Yuda.

Canditswe kugira ngo cerekane ko Imana yihora abansi b'ihanga ryayo. Guhona kwa Edomu vyavuye ku kuntu bahora basotora ihanga ry'Imana ry'Abayuda, kandi bakananezegwa kubona Babuloni yarasambuye Yuda.

Gikwiye gushigwa hehe?

IGIHE BARI KU KINYAGO

# HAGAYI (Ibice 2)

**Incamake:** Guhamagarira abatashe kwubaka urushengero

Igitabo canditswe mur 520 Imbere ya Kristo. Gishimikira abatshe bavuye mu kinyago gutangura kwubaka urushengero. Iki gikogwa caratanguye imyaka 20 Imbere, ariko kirahagarara, baheje kwubaka mu mwaka wa 515 Imbere ya Kristo. Hagayi yari yarabonye urushengero Salomo yubatse, rero yatashe mu ba mbere.

Gikwiye gushigwa hehe?

IMBERE YUKO BAJA MU KINYAGO

Mu gitabo citwa *«The Bible Jesus Read»,* **Philip Yancy** araduha impanuro zifasha gusoma ibitabo vy'abavugishwa. Atanga ibintu bitatu vyogufasha gutsinda inzitizi zokubuza gusoma ibitabo vy'abavugishwa, kandi vyogufasha kumenya ubutumwa bwa nkenegwa bw'ivyo bitabo :

1. «Ubu nyene» Ubuvugishwa bujanye n'ivyabaye mugihe c'uwo muvugishwa
2. «Inyuma» ubuvugishwa buvanwa mu gihe c'umuvugishwa bugashika inyuma yuko avugishijwe.
3. «Inyuma cane» ubuhanuzi uburabira muri kazoza.

# ZEKARIYA (Ibice 14)

**Incamake**: abandanya abwira abantu gutaha bakaja kwubaka urushengero. Avuga bike ku bijanye n'ibihe bizoza vy'agakiza kazozanwa na Mesiya.

Cane cane mu mwaka wa 520 Imbere ya Kristo, yavugishwijwe mu gihe kimwe na Hagayi, yabandanije kubwira abatashe gusanura urushengero.

Iki gitabo kirimwo amayerekwa umunani yo mw'ijoro, amwe avuga ku bihe vya nyuma ( Insanganyamatsiko zivuga ku nyigisho zo mu gihe ca nyuma)

Ibice bitanu vya nyuma birimwo ubuvugishwa bw'ukuza kw'Umwami kwa mbere no kugaruka kwiwe.

Gikwiye gushigwa hehe?

INYUMA Y'IGIHE CO KUBA MU KINYAGO

## MALAKI (Ibice 4)

**Incamake:** yabwiye abantu ivyaha vyabo ashaka ko bagaruka ku Mana.

Hagati ha 438-433 Imbere ya Kristo. Yaburiye ab'Isirayeli n'abaherezi ivyaha vyabo mu gihe c'urugendo gwa kabiri gwa Nehemiya.

Avuga ku bintu bijanye no kwikunda, kwiba Imana n'umunsi w'Umwami.

Yakoresheje bibbazo bitandatumu gutegura ibintu.

Gikwiye gushigwa hehe?

IGIHE C'INYUMA YO KUBA MU KINYAGO

## INCAMAKE Y'INGENE IBITABO VY'IVYANDITSWE

## BIHUZWA N'AMATEKA

**Hagati y'IBISEKURUZA NO GUHINDURA NO KUBA MU GIHUGU**

Igitabo ca Yobu

**UBWAMI BWUNZE UBUMWE**

Zaburi

Imigani

Umusiguzi

Indirimbo ya Salomo

**UBWAMI BWIGABUYEMWO IBICE**

Yesaya ( Kuri Isirayeli na Yuda)

Hoseya ( kuri Isirayeli )

Amosi ( kuri Isirayeli )

Yona ( kuri Isirayeli )

Mika ( Kuri Isirayeli )

**YUDA WENYENE** (ibi ni inyumSa y'uko ab'Isirayeli bajanwe mu kinyago muri 722 Imbere ya Kristo)

Yesaya

Yeremiya

Gucur'intimba kwa Yeremiya

Habakuki

Zefaniya

Nahumu

**IGIHE CO KUBA MU BUJA**

Yoweli

Obadiya

Ezekiyeli

Daniyeli

**IGIHE C'INYUMA YO KUBA MU KINYAGO**

Zaburi zimwe (Izo mw'iduga)

Hagayi

Zakariya

Malaki

## *AMAKARATA*




Ikarata #1 Isi yo mu gihe c'Isezerano rya Kera




Ikirata #2 Gufata Igihugu no Kukibamwo





Ikarata #3 Ubwami bwunze Ubumwe





Ikarata #4 Ubwami Bwigabuyemwo Ibice




Ikarata #5  Igihe co Kuba mu Buja




Ikarata #6 Igihe c'Inyuma yo kuba mu Kinyago




Ikarata #7 Ibihugu vyo mu Buseruko bwo Hagati muri iki gihe